Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Februar / Ruhuhuma 2020 *kirundi*

Niho nabo babiganira ivyabashikiye mu nzira!

(Luka 24,35)

Nyagira wa!
Tell me!

Bakunzi b'Ijambo,

Hari kuri gare, kandi ku mugoroba wije. Hari abantu bayogora hirya no hino. Tereza nawe yari ahagaze aho barindirira itereni. Niho rero haza umugore akiri muto - yasa n'uwataye umutwe, kandi afise isuku rike . Yari wenyene. Yasa n'uwushaka kugira ico avuga. Niho rero Tereza yigira inama yo kumwumviriza. Uyo mukenyazi aratangura, araserura ibintu bitari bike vyari bimuremereye ku mutima. Haciye umwanya Tereza aramubaza yengenga ati „ witwa nde? - Itereni yiwe igira igende, yaramusezeye amugwa mu nda aca agenda ku rugi ngo yurire. Tereza niho yumva izina ryiwe uwumubwira ati „urakoze Tereza!“. Ariko nya mukenyezi yari yakamanganye.

Ibisa n'ivyo ni vyo vyashikiye abigishwa babiri bari mu nzira baja i Emmaus. Bari baraciye mu bibaremera, none ng'uyo Yezu - umwe bari bizeye - ehe baramwishe. None bizobandanya bigenda gute? Umuntu – asa n'umunyamahanga – ng'uyo ariko agendana nabo. Ababaza ati . „Mbega ivyo ni ibiki muriko mugenda muvugana mu nzira?“ Baritora baramuyagira vyose. Ese ukuntu biremurura! Umutima wabo urasubiye kuronka amahoro. Utanguye kururumba. Niho uyo munyamahanga yagumana nabo, aramanyura umukate, hanyuma ntibaba bakimubona.

Burya iyo ngabire si nto, kuronka umuntu agutega ugutwi! Igihe ushobora kuyaga wisazuye birakuzanira amahoro. Imana yaduhaye amatwi abiri, kugira ngo dushobore kwumviriza gusumba uko tuvuga. Uwumviriza neza, arazana amahoro. Ha akaryo keza abandi bashikirize ikibabakiye, bikenewe ubaze wengenga. Urumva rero nawe, tega ugutwi, utumirire uwundi usa n'uwumubwira uti : **Nyagira wa! - Tell me!**

Ku bwa OnWorldTeam Meinolf Wacker